**THE LAST SUPPER AND GETHSEMANE**
**Mat. 26:17-29; 36-46.**
Lesson 61
Memory verse: "*For there is born to you this day in the city of David, a savior, who is Christ the Lord.*" **Luc 2:11**

**INGABURO YA NYUMA N'I GETSEMANE**

ICIRWA CA 61

**Mat. 26:17-29; 36-46.**

**Ijambo ngenderwako : «** *Uwurya umubiri wanje akanywa amaraso yanje, ni we afise ubugingo budashira, nanje nzomuzura ku musi w'iherezo* **» Yoh. 6:54**

**I. Intangamarara.**
Imana yaremye umuntu mw'ishusho yayo ; ari naco gituma umuntu adapfa nk'ibindi biremwa. Uwariwe wese azopfa urupfu rwa mu mubiri ariko, umuntu w'imbere agumaho ari mu kibaza yajanywemwo bitewe n'ibikorwa vyiwe vyiza canke bibi yakoze akiri mw'isi. Aha ni mw'ijuru canke mu kuzimu. Kandi uyu muntu w'imbere niwe azocirwa urubanza.

Imana imaze kurema umuntu, umurwanizi Satani yarabangutse aza guteza umuntu wa mbere icaha Adamu ataravyara umwana n'umwe. Aha, kwarukugira ngo imigenderanire yiwe n'Imana itosekare. Vyarabaye. Abakomotse kuri Adamu bose bavuka barimwo kameremere y'icaha. Ibi vyababaje Imana. Niko kurungika Umwana wayo Yesu Kristo mw'isi kugirra asubizeho iyo migenderanire. Mukubishikako, vyamusaba ko yicwa urupfu rubi abambwe k'umusaraba akamenera amaraso abantu bose.

**II. Insiguro y'umubiri n'amaraso vya Yesu Kristo**
Umubiri wa Yesu niwe wari umutsima w'ubugingo **Yoh. 6:51** « *Ni jewe mutsima w'ubugingo wamanutse uvuye mw'ijuru, ni hagira uwurya kuri uwo mutsima azohoraho ubuzima budashira, kandi umutsima nzobaha ni umubiri wanje.* » igihe rero cari kigeze c'uko uyu mubiri ariwo mutsima w'ubugingo umanyagurwa ngo uhabwe abantu yaje gucungura, babone kuronka ubugingo budashira. **Mat. 26:26** « Bariko bararya, Yesu yakira umutsima, awuhezagiye arawumanyagura, awuha abigishwa ati : Nimwakire, murye, uwu ni umubiri wanje. » Kurya umubiri wa Yesu, bituma aguma mu bugingo bwiwe imisi Yose. Agasa nawe ubuzima bwose, akazomuzura k'umusi wa nyuma.

Amaraso ya Yesu cari ikimenyetso c'isezerano rishasha, ivyagezwe ntivyashikanye abantu ku gakiza, hari hakenewe isezerano rishasha atari iry'abisirayeli gusa, ngo rihuze abantu n'Imana.

Uyu mubiri n'amaraso vya Yesu ntivyatangiwe abagororotsi gusa niba boboneka muri iyi si, ababikeneye ni : abarwaye indwara zananiranye, abafise ivyaha vyanse kubavako, abafise imitwaro ibananije, abanyantegenke mu murimo wa Data, abipfuza ubugingo budashira…

**III. Pasika y'Abisirayeri n'iyi y'isezerano rishasha**

Pasika yatanguriye muri Egiputa mw'ijoro aho Imana yasaba imiryango y'abaheburayo yose gutegura umwagazi w'isuguru utarengeje umwaka ukazobarwa k'umusi ugira icumi na kane, bakarya inyama zawo, bagasiga amaraso kub'ishimaryango. Umuranduzi aho yabona amaraso, yararengana, ntiyahica ic'impfura cose. Ahatabonye ayo maraso mu banya Egiputa yarabishe bose**.** Pasika isigura Kurengana. Imana yategetse ab'Isirayeri ko bazohora bahimbaza uyu musi wa pasika ubuzima bwabo bwose. **Kuv. 12:14.** Iyi ni Pasika yo mw'isezerano rya kera.

Aya maraso y'umwagazi w'intama yakijije ubuzima bw'abana ba Israyeli bose ico gihe, hari hakenewe umwagazi w'intama waje uvuye mw'ijuru kugira amene amaraso yiwe, abenshi bahabwe ubugingo budashira. Uwariye umubiri wa Yesu akanywa no ku Maraso yiwe, acika umwana wiwe, arengana ubuzima bw'urupfu agashikira ubugingo budashira. Akurwa mu gitabo c'urubanza akandikwa mu gitabo c'ubugingo. iyi niyo Pasika yo mw'isezerano rishasha abakristo bahimbaza.

## IV. Wenyene mw'ishamba ry'I Getsemani gusenga.

Iyi saha kari akaryo ka nyuma ko kuvugana n'abigishwa biwe atarapfa. Afata akanya aja gusenga wenyene. Yarasenze gushika naho icuya gihinduka amaraso. Yamara, yashishikaye kubwira Data ati ; « *Asangwa vyoshoboka, iki gikombe kindengane… ariko ntibibe uko jewe ngomba bibe uko wewe ugomba*... » **umur. wa 39** Yesu yari Imana ijana kw'ijana akaba n'umuntu ijana kw'ijana. Yarashobora kubabara m'umubiri no gutabaza. Muri uku gusenga ntiyategetse Data, ahubwo yarasavye ishaka ryiwe aba ariryo rimushikako. Mu gusenga kwacu kirazira kwiyumvira ko wotegeka Imana ico ushaka. Kiranazira no kwidodomba.

Umwami Yesu yasavye abigishwa ati : « *Ni mube maso, musenge, ntimuje mu mosha mabi.* » **Mat. 26:41.** Icerekana uwariye umubiri wa Kristo, akaba

yaranyweye amaraso yiwe, ni uko akunda gusenga. Bitabaye uko, aratsindwa n'amosha mabi yo muri iyi si mukanya gato.

Yesu amaze gusenga i Getsemani: Umumarayika aramwiyereka avuye mw'ijuru amutera intege. **Luke 22:43 .** Naho yari asanzwe ari Imana, izi ntege nshasha yari azikeneye muri iki gihe gikomereye umubiri wiwe. Twizera ko nawe uzikeneye uyu musi.

**V. Gushira mu ngiro.**

Ushobora kuba wama uja kw'isangira ryera ukarya icibutso c'umubiri wa Yesu, ukanywa no ku maraso yiwe, ariko ukumva n'ubu nturahinduka, Habo hari umutwaro wamaze kwita umubanyi, inrwara n'ibindi, canke Uhora wumva udakunze ibikorwa vy'Imana no gusenga. Urashobora guhaguruka ukizera ubu nyene Yesu agukorere igitangazea. Ni warya umubiri wiwe ukanywa amaraso yiwe, uragira ubugingo kandi azokuzura k'umusi wanyuma. Ivyiza nk'ibi ntibikurengane bitangirwa ubuntu.